# 97: Nnezerewe ko mmenye rwose

1. Nnezerewe ko mmenye rwose
Yesu kw ar' Umukiza wanje,
Ni we yancunguj' amaraso,
Ndizera mvuk’ ubga kabiri.

Ref: Yambgiye ko nd' umunyavyaha,
Ndihana ndizer’ arankiza,
Ni vyo ndirimba, ni vyo mvuga,
Nshim' Umukiz' imisi yose.

2. Sinciganza, ndamwigabiye,
Bintey' umunezero mwinshi;
Mmuhay' ivyaha vyanyanduza,
Abinkurakw amp' amahoro.

3. Sinciganza, ni Yes' angaba,
Mpiriwe n'uko mba muri we;
Mpora nitez' ivyiz' azompa
Bivuye mu rukundo rwiwe.

4. Kubimenya ni kwiza rwose,
Nd' uwa Yesu, sinkekeranya;
Nzigamwa n'Ushobora vyose,
Nkimwizeye nta womunnyaga.

Visit us at burundi.indirimbo.com